1.000 FBU



SEMESTRIEL

Nº 167 IKINYAMAKURU C'INTWARAMIHETO Z'UBURUNDI Mukakaro 2024

# BILAN SEMESTRIEL 2024



## Inyigisho mu gukomeza ubuhinga n'ubumenyi kubarugize

P 3



Ivyaranguwe mu mezi atandatu arangiye birashimishije

P4



Amahiganwa abiri yaratunganijwe ku rugero rushimishije cane

P7

Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants,Avenue Ngendandumwe
Tél : (257)22 55 22 41 - (257) 22 24 30 54 - Fax : (257) 22 22 41 52 . E- mail : rédactionbcom@gmail.com
Site web : www.mdnac.bi

# Ivyaranguwe mu gice ca mbere c'umwaka w'2024 mu rwego FDNB birashimishije


## Uruganda rw'ikinyamakuru

Uwurongoye Ikinyamakuru

**Gén-Bde BARATUZA Gaspard**

Uwurongoye Uruganda

**Lt-Col NITUNGA Gilbert**

Umunyamabanga

**Maj NGEZAHAYO Serge**

Icegera c'umunyamabanga

**Maj MANIRAKIZA Oscar**

Uwuhinyanyura ikinyamakuru

**Maj NDAYIZIGIYE Fidèle**

Abanditsi

**Lt-col HAKIZIMANA Prosper**

**MAJ NDAYISABA Roger**

**MAJ CIZA Anatole**

**Maj MANIRAMBONA Diomède**

**Maj NININAHAZWE J.M.V**

**Maj NKENGURUTSE Mélance**

**Maj BAZIRUTWABO Herman**

**Maj NGENZEBUHORO Alice**

**Capt NTAKARUTIMANA Ruth**

**Capt HABOGORIMANA J.B**

**Capt IRADUKUNDA Juste**


Igihe c'ukuraba ivyaranguwe mu gice ca kabiri arico canyuma c'ikoreshwa ry'amafranga mu mwaka w'2023 ushira umwaka w'i 2024 kirageze. Igisata cose co mu biro bikuru vy'intwaramiheto vy'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi kirihweza ivyo caranguye kugira gitangure umwaka mushasha w'ikoreshwa ry'amafaranga utangura mu kwezi kwa mukakaro gifise intumbero itomoye ijanye na ya mbono ya Reta y'Uburundi aho Uburundi buzoba bwifashe mu 2040 hanyuma buteye imbere mu 2060.

Hisunzwe ingingo ya 12 y'ibwirizwa ryunganira ibwirizwa shingiro inimero 1/21 ryo ku wa 27 ruheshi 2022 rihindura ibwirizwa ryunganira ibwirizwa shingiro inumero 1/04 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017 rishinga imirimo y'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, ingene rutunganije , abarugize , inyigisho, ingene abari muri urwo rwego bafatwa n'ingene rukora, iyo ngingo iravuga ko urwego FDNB rwerekana ivyo rwaranguye kandi ko rukora ku mugaragaro. Urwo rwego FDNB rukora rwinsunze intumbero ya Reta y'Uburundi kandi n'inama nshingamateka igasuzuma ivyo rwaranguye. Ni mur'iyo ngingo y'amategeko, urwego FDNB rubicishije mu kumenyesha amakuru rutangaza ivyo rwaranguye mu kiringo c'ibice vy'umwaka, muri kino gihe akaba ari kuraba ivyaranguwe mu gice ca kabiri c'umwaka w'ikoreshwa ry'amafaranga mu mwaka w'2023 ushira umwaka w'2024.

Twokwibutsa ko urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rufise imirimo nyamukuru y'ugukingira imbibe z'igihugu, ukwikukira n'ubwenge bwaco. Urwo rwego ruragwanya kandi ico cose coza gihungabanya inzego z'igihugu , rukagwanira kandi rugakingira inyungu n'ibibanza bikomakomeye vy'igihugu nkuko biri mu ngingo ya 15 y'ibwirizwa ryunganira ibwirizwa shingiro rigenga urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi. Uwo murimo nyamukuru rero wararanguwe, amahoro n'umutekano bikaba bihari mu gihugu cose , abenegihugu bari ku mirimo yabo ya minsi yose ataco binona.

Ishirahamwe mpuzamakungu ryaragiriye icizere igihugu cacu muri rusangi eka mbere n'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi vy'umwihariko, ivyo bikaba vyatumye ingabo z'uburundi zizerwa mu kuja kugarukana amahoro n'umutekano mu bindi bihugu vyari bikeneye ayo mahoro nka Somaliya, Centrafrika , mu gihugu kiharanira intwaro rusangi ya Congo eka mbere n'ibindi. Ubwo butumwa bukaba bwarakozwe neza aho hose ingabo z'Uburundi zarungitswe,hisunzwe ibwirizwa ryunganira ibwirizwa shingiro mu ngingo ya cumi n'icenda : « Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ruritabira ibikorwa vyo kugarukana amahoro, birongowe n'ishirahamwe mpuzamakungu (Minusca) , ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika (AMISOM-ATMIS), Amashirahamwe yo muri kano karere ( Ingabo zo muri karere ka Afrika y'Ubuseruko : EAC-RF) muri Republika iharanira intwaro rusangi ya Congo. Izo ngabo zikaba zari zicumitse i Goma aho Uburundi bwifadikanije n'ibindi bihugu vyo mu karere ka Afrika y'ubuseruko kugira bashire mu ngiro amasezerano yashizweko umukono y'i Nairobi no muri Luanda afise intumbero yo kugarukana amahoro n'umutekano mu buseruko bw'igihugu ca Republika iharanira intwaro rusangi ya Congo.

Igihe ikiringo c'ingabo z'ibihugu vyo mu karere ka Afrika y'ubuseruko (EAC-RF) cari kirangiye, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwarabandanije ubutumwa mu gihugu ca Republika iharanira intwaro rusangi ya Congo mu ntumbero yo gufashanya n'ico gihugu hisunzwe ingingo ya mirongo ibiri y'ibwirizwa ryunganira ibwirizwa shingiro : « Urwego rw'ukwivuna abansi abansi rw'Uburundi, rurashobora gufasha mu ntumbero y'imigenderanire myiza n'igihugu canke n'ibindi bihugu » ; Uburundi bukaba buri murico gihugu muco bise TAFOC ( Ibikorwa vyo kugwanya umwansi aho muri Republika iharanira intwaro rusangi ya Congo ), urwego FDNB rugakora ubwo butumwa bwisunze ubuhinga n'ubumenyi hamwe n'amategeko vy'umwuga wa gisirikare , ivyo bikorwa bikaba bishimwa n'abafashanya n'ingabo z'Uburundi murico gihugu eka mbere n'abenegihugu baho muri Republika iharanira intwaro rusangi ya Congo .

***GEN-BDE BARATUZA GASPARD***

# Inyigisho mu gukomeza ubuhinga n'ubumenyi kubarugize

*Mu gice ca mbere c'umwaka w'i 2024 kiva mu kwezi kwa mbere gushika mu kwezi kwa gatandatu, igisata kijejwe inyigisho c'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi cararanguye ibikorwa bitari bike vyerekeye inyigisho. Ico kigaragaza ko urwego FDNB rwiyemeje cane gukarihiriza ubwenge abagize urwo rwego, bigafasha ko abasirikare barangura imirimo bajejwe neza.*

Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ruratanga inyigisho muri rusange kugira rutegure umusirikare ashobore kugira ubumenyi n'ubushobozi mu ntumbero yo kurangura neza umwuga wa gisirikare. Izo nyigisho zibaronsa ubushobozi bwo gukora mu bihe vyiza n'ibihe bidasanzwe. Igisata kijejwe inyigisho mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi kiracungera kandi ko inyigisho zitangwa ziba zifise akanovera kandi zihagije hamwe no kuronsa inyigisho z'ubuhinga bwa gisirikare kugira abagize urwego babe abanyamwuga babushitse.

Kuva mu kwezi kwa mbere kw'uno mwaka, inyigisho zitandukanye zaratanzwe ku rugero rushimishije mu ngero zose. Kuvyerekeye inyigisho zibanze, umukuru w'igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Ndayishimiye Evariste yaruguruye umwaka w'ivyigwa w'i 2023-2024 muri Kaminuza y'intwazangabo mu ntwaramiheto Iscam. Kakaba kabaye akaryo ko kwemerera ku mugaragaro umugwi wa 53 w'imikangara y'intwazangabo, umugwi wa mirongw'ine n'umunani nawo urarahira imbere y'umukuru w'igihugu c'Uburundi, hamwe no kurahira k' umugwi ugira 20 w'intwazangabo zironswa inyigisho za gisirikare inyuma yo guheza ivyigwa vya kaminuza SRO. Umukuru w'igihugu akaba yarabibukije uruhara rw'intwazangabo mu gukingira igihugu cabibarutse. Yaranatanze izindi mpanuro ku ntwazangabo nshasha kugira babandaye batanga akarorero keza na cane cane bamaze kuja kurongora ingabo.

Mu kwezi kwa ntwarante 2024, umugwi wa 41 w'ibisongerezi vyitegurira kuba ivyegera vy'abatwara ama peloto bararonkejwe impapuro zirangiza inyigisho. Umugwi nawo wa 51 w'imikangara y'ibisongerezi nabo bararonkejwe impapuro zirangiza inyigisho i Bururi hamwe n'imikangara y'umugwi wa 48 w'ibisongerezi vyigiye ubuganga. Abandi bemerewe kumugararo kwinjira n' umugwi w'imikangara wa 52 w'ibisongerezi mu ntwazangabo warumaze igihe kinini witegurira kuba ibisongerezi.



Intwazangabo nshasha zisabwa kuba akarorero keza aho bazoja gukorera



Umukuru w'urwego FDNB asaba abarangije inyigisho kwama bisunga inkingi zitanu z'urwo rwego

Tubandanije mu gisata c'inyigisho zibanze, mu kwezi kwa ndamukiza 2024 i Bururi, umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi Général Prime Niyongabo akaba yarabatekereye impanuro zijanye no gukunda igihugu bongere bagikingire. Abo basirikare barangije inyigisho bakaba baherewe inyigisho mw'ikambi ry'i Bururi, i Mwaro hamwe no mu Mabanda mu ntara ya Makamba.

Kubaronkejewe inyigisho z'ubuhinga bwa gisirikare, intwazangabo 48 zigize umugwi w'i 9 w'ishure ryigisha gutwara i Komanyi zararonkejwe impapuro zirangiza inyigisho mu kwezi kwa mbere 2024. Intwazangabo nazo zitegurira kurongora ikambi hamwe no gukorera mu ma brigades bararonkejwe impapuro zirangiza inyigisho zimara ikiringo c'amezi atanu, ico gikorwa kikaba cabaye mu kwezi kwa mbere. Mw'ishure rikuru rya gisirikare ryigisha gutwara n'ugutunganya ibijanye n'ingabo, intwazangabo 30 bagize umugwi w'umunani hakaba harimwo 23 b'abarundi, 1 ava muri Afrika y'epfo, 2 bava muri Kenya hamwe na 2 bava mu gihugu ca Uganda.

Izindi nyigisho zifise intumbero yo gukarihiriza ubwenge abasirikare zarabaye mu gice ca mbere c'umwaka. Aha twovuga inyigisho zahawe abazokwigisha abandi kubijanye no gutegura imitego n'ibisasu biturika. Izo nyigisho zikaba zabereye i Bujumbura mu kwezi kwa Ntwarante 2024. Abasirikare kandi 256 b'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi harimwo abigeme 16 bararonkejwe impapuro zirangize inyigisho mu kwezi kwa ndamukiza inyuma y'inyigisho z'i gikomando.

***MAJOR MANIRAKIZA OSCAR***

# Ivyaranguwe mu mezi atandatu arangiye birashimishije cane

*Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba Ir Alain Tribert Mutabazi yararemesheje ibiganiro n'abamenyeshamakuru kugira amenyeshe ivyaranguwe mu mezi atandatu ya nyuma y'umwaka w'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta w'2023 ushira uw'2024 mu bushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba.*

Twisunze ibiri mu ngingo ya 25 y'itegeko ry'umukuru w'igihugu inomero 100/007 ryo ku wa 28 ruheshi, umwaka w'2020 risubiramwo itegeko inomero 100/037 ryo ku wa 19 ndamukiza, umwaka w'2018 ritegekanya ingene Reta y'Uburundi iringanijwe, ingene ikora n'ivyo ijejwe, ubushikiranganji bwose buramenyesha ivyo bwaranguye uko amezi atatu aheze. Ni muri iyo ntumbero umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba yateguye ibiganiro n'abamenyeshamakuru kugira amenyeshe ivyaranguwe mu bushikiranganji arongoye.



*Ubushikiranganji burashimishwa n'ivyaranguwe mu mezi atandatu arangiye*

Ivyaranguwe vyari bijanye ahanini no gutsimbataza umutekano, intwaro ibereye, gukomeza ubushobozi bw'inzego n'ubwo kurangura imigambi n'ibindi bikorwa vyategekanijwe, gushimangira ubushobozi mu bijanye no gutegura imigambi, kubungabunga ubutunzi no guterera mw'iterambere, guteza imbere ukubaho neza kw'abagize urwego rw'ukwivuna abansi hamwe n'abahoze ku rugamba hamwe rero no gukomeza iterambere ridakumira.

**Ugutsimbataza umutekano vyagumye ari umwitwarariko w'ubushikiranganji**

Kimwe mu bintu bihambaye ubushikiranganji bujejwe ni gutegura no gushira mu ngiro ibijanye no kwivuna abansi. Muri iyo ntumbero abasirikare barakoze ijoro n'umutaga kugira bakingire imbibe z'igihugu, bacungere umutekano w'abenegihugu n'ivyabo mu gihugu cose. Bagumye barikanuye kugira babuze hakiri kare bongere bateshe umugizi wa nabi wese yoza afise agatima ko guhungabanya umutekano w'igihugu hagati canke ku mbibe.

Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba burafasha kandi izindi nzego mu kurwanya ibikorwa vyose bihungabanya ubutunzi bw'igihugu. Muri iyo ntumbero, abasirikare bagumye bakizura ku mbibe no mu kiyaga Tanganyika hadasigaye inyuma. Abasirikare bariko barakizura mu Gatumba barafashe ibitenge bitari bike vyagire vyinjizwe mu Burundi biciye mu binywabi



*Umushikiranganji mu bikorwa vyo kubagarira ikawa y'abahoze ku rugamba i Ngozi*

maze biraheza birashikirizwa ikigo kijejwe kwegeranya amakoro n'amatagisi OBR.

**Gufashanya muvya gisirikare vyarashizwe imbere**

Umushikiranganji Mutabazi yafashe kandi ugufashanya mu vya gisirikare nk'iyindi nzira ihambaye yo gukomeza umutekano. Yarakiriye abanyacubahiro batandukanye kugira nyene baganiro ibijanye no gufashanya n'Uburundi mu vya gisirikare. Ubwa mbere yahaye umubonano kw'igenekerezo rya 15 ruhuhuma umwaka w'2024, uwuserukira igihugu c'Uburusiya mu Burundi akaba mbere yari yazananye n'uwujejwe gufashanya mu vya gisirikare hagati y'Uburusiya n'ibihugu vyo mu karere ka Afirika yo mu buseruko. Muri uwo mubonano vyaribonekeje ko impande zompi zifuza gutsimbataza gufashanya mu vya gisirkare na cane cane mu bijanye n'inyigisho. Uwuserukira Ubushinwa wewe yaje yerekana neza ivyo igihugu ciwe kigomba gufashanyamwo n'Uburundi, yerekana inyigisho yifuza ko abasirikare b'abarundi bojamwo eka mbere yemezako bariko baratunganya ibijanye no guha Uburundi ibikoresho bikora amabarabara.

Umushikiranganji Mutabazi yaraganiriye n'abandi baserukira ibihugu vyabo kuri ico kibazo nyene co gufashanya mu vya girikare. Aho twovuga nk'abaserukira Ubumwe bwa Buraya n'ingoma y'Ubuhorande mu Burundi.

Umushikiranganji Mutabazi yaritavye kandi amanama atandukanye mu karere, aha tukaba twovuga nk'inama nshikiranganji igira iya 37 yabereye i Arusha muri Tanzaniya kw'igenekerezo rya 8 ntwarante umwaka w'2024 ku bjanye n'ukwivuna abansi n'umutekano mu muryango wa Afririka y'Ubuseruko.

Aho yaraja yaramaze kwitaba inama igira gatanu y'umugwi y'ubuhinga uraba ukwivuna abansi n'umutekano mu karere k'umuryango w'ubutunzi uhurikiyemwo ibihugu vyo muri Afirika yo hagati, iyo nama nayo ikaba yabereye i Malabo mu gihugu ca Guinée Équatoriale kw 'igenekerezo rya 26 ruhuhuma umwaka w'2024.

Ibikurikira ku rupapuro rwa 19

# Umutekano wifashe neza muri rusangi mu gihugu cose.

*Ikinyamakuru Rumurikirangabo (IR) gikukira ugwego rwo kwivuna abansi rw 'Uburundi(FDNB), uwujejwe igisata kijejwe inyigisho, imyimenyerezo n'ibikogwa vya gisirikare, Jenerali de brigade Telesphore BARANDEREKA (G3) yamenyesheje ko umutekano wifashe neza muri rusangi mu gihugu cose, yaciye anamenyesha ivyaranguwe bikuru bikuru muraya mezi atandatu (6) arangiye.*



*Gusuzuma urugero mu bumenyi kugira bagume bameze magabo*

***I.R:* umutekano wagenze gute muraya mezi atandatu arangiye ?**

**G-3** : Umutekano wifashe neza muraya mezi atandatu (6) arangiye gushika ubu umutekano wifashe neza mu gihugu cose.

***I.R :* Mwotubwira ibintu bikuru bikuru mwaranguye muraya mezi atandatu (6) arangiye ?**

**G-3 :** Mugisata kijejwe umutekano, abasirikare barakoze ibikogwa vyabo vya misi yose bagumye bameze magabo ninaco catumye umutekano mu gihugu eka no ku mbibe zose dusangiye n'ibihugu bibanyi wiyongera. Inzego zijejwe gukingira igihugu zaratujije kandi abinjiza ibidandazwa bidaciye mu mategeko ahanini abaca mu kiyaga Tanganyika. Harabaye n'isuzumwa kubari mu buseruko no mu burengero kugira bagume bameze magabo.

***I.R:* Ivyerekeye inyigisho n' imyimenyerezo vyifashe gute?**

**G3:** ivyerekeye inyigisho n' imyimenyerezo haratunganijwe amahiganwa mu mezi ya ndamukiza na rusama 2024, kugira dusuzume urugero mu bumenyi bwo kuguma bameze magabo. Umugwi ugira14 witegurira kumenyereza abandi izo inyigisho zikaba ziheruka kurangira zikaba zari zatanguye 2023. Haratunganijwe kandi amahiganwa ku rwego rw'uturere twa gisirikare umwimenyerezo wo gupima ubushobozi amabatayo igezeko mu kwitunganya no kumera magabo mukazi kabo ka misi yose. Haratunganijwe kandi ingingo ngendegwako kuvyerekeye itunganywa z'inyigisho ngendegwako 2024-2025. Inyisho z'abakomando naba para zaratunganijwe hatibagiwe amahiganwa mu turere twa gisirikare twose.

***I.R:* Harakozwe iki ku vyerekeye ibikorwa vyo kugarukana no kubungabunga amahoro mu makungu?**

**G3:** Igisata turongoye caratunganije inyigisho kuma batayo aheruka kugombora muri Somaliya ku rwego rwa ATIMS na Centrafrique mu rwego rwa Minusca. Ibatayo ya cenda yagomboye iy'umunani, i batayo za 70 na 71 zagombowe na 72 na 73. Imigwi yo ku rwego rw'ubumwe bwa Afrika( UA) canke ku rwego mpuzamakungu (ONU) Yaraje gusuzuma ko abasirikare baja kugarukana amahoro mu karere bakwije ivyangombwa yarabikoze irabasuzuma,kandi yasanze vyifashe neza. Twobamenyesha ko hari igisata kijejwe indege carungitswe muri Somaliya mu rwego rwa ATMIS kugira rushigikire ibikogwa vy'abasirikare biriko bikogwa n'abasirikare twarungitseyo.

***I.R:* Mutegekanya gukora iki kugira abasirikare bagume bameze magabo?**

**G3:** Igisata turongoye gitegekanya gutsimbataza inyigisho, imyimenyerezo n'ibindi vyose vyotuma abasirikare bose baguma bameze magabo! Bigatuma umutekano mu gihugu no ku mbibe biguma vyifashe neza! Turategekanya gutunganya uturere twogiriramwo imyimenyerezo ya gisirikare no gusubiramwo inzu zigenewe ivyo bikorwa vyerekeye ibikogwa vy'abasirikare baja kugarukana no kubugabunga amahoro mu karere. Tuguma dutunganya inyigisho kugira bagende biteguye neza ku bikogwa bitoroshe biba bibarindiriye n'ibikogwa vyo gutegura abakomando n'aba para bizobandanya kugira tugumane abasirikare baguma bameze magabo.

***LT-COL NITUNGA GILBERT***

# Igishasha n'igiki muri CECADM?

*Ikinyamakuru Rumurikirangabo (**IR**)gikukira urwego rw'ukwivuna abansi, rw' Uburundi caregereye Umuyobozi mukuru (UM) arongoye ishirashirahamwe ryo kuziganya no kuguranana rya gisirikare kugira rimenye ivyaranguwe mu mezi atandatu aheze;kubwa riyetena koroneri Jean Marie Iradukunda ;ivyaranguwe birashimishishije.*

**IR: Mwotubwira ibintu bikuru bikuru vyaranguwe mur'iki kiringo c'amazi 6 arangiye?**

**UM**:Muraya mezi 6 arangiye twararanguye ibitari bike,aha twovuga nko kwugurura inyubakwa ikoreramwo icicaro ca CECADM ,ikaba yuguruwe binyarutse.Ishirahamwe CECADM ryarashizeho kandi igisata ngurukana bumenyi citwa "UMWAMPI" ,bikaba bizokworohereza abanywanyi cane. Haratunganijwe inama rukokoma ihuza abaserukiye abandi,ikaba yama itunganywa igihe cose muri ntwarante shirahamwe. Ayo masezerano akaba yabaye muri ndamukiza 2024.

**IK: Mwotubwira ivyo mwimirije kurangura mu misi ir imbere?**

**UM**:IshirahamweCECADMrigiyegushiraho igisata citwa 'umwampi' ico gisata kikaba kiraba amafaranga ngurukanabumenyi.




*Iyugururwa ku mugaragaro y'inyubakwa y'icicaro gikuru ca CECADM*

n' umukuru w'igihugu c'Uburundi Jenerari Majoro Ndayishimiye Evariste. Harashizweho guichet yamaho amasaha 24 kuri 24 .Mu ntumbero yo kwishuza abanywanyi ,haraguzwe imodoka 7.Kugira abanywanyi boroherwe,ishirahamwe CECADM ryarashizeho ibintu vyo gukorana na Lumicash _CECADM na E-WALLET CECADM kuri CECADM ,umunywanyi ntaba agikeneye gutonda umurongo atondeye amahera;acarondera umunywanyi wo muri lumicash kugira amufashe kubika canke kubikura amahera ,aho abanywanyi barabira hamwe ivyaranguwe;kakaba n'akaryo keza ko kuvuganaibizorangurwa muri kazoza. Haruguruwe kandi ishami mu ntara ya Bururi,bikaba vyabaye mu ntumbero yo kworohreza abanywanyi ,kugira babapfunyirize urugendo bagira bagiye mu ntara ya Rumonge.Ninaco gituma haciye hinjizwa abakozi bashasha bashika kuri 20;abagabo 13 n' abagore 7. Ishirahamwe CECADM ryaragiraniye amasezerano n'ishirahamwe MUSAT ryerekeye igisata c'amagara,kugira bashobore kuvuza abakozi b'iryo Tuzoshiraho kandi mu misi ir 'imbere igisata gitanga ingurane ku ma tara n'amaterefone ku giciro ciza. Turategekanya kandi kwubaka ishure ry' akarorero mu ntara ya Gitega. Tuzoteza imbere igisata c'ingurane kije ku kiringo kirekire,gurtyo tube turiko turorohereza abanywanyi.

***LT-COL NITUNGA GILBERT***

# Amahiganwa abiri yaratunganijwe ku rugero rushimishije cane

*Mu gice kigira kabiri c'amezi atandatu y'umwaka w'amafaranga 2023-2024, igisata kijejwe inyigisho za gisirikare,imyimenyerezo hamwe n'ibikorwa vy'ukurwanya umwansi caratunganije amahiganwa abiri.Irya mbere ry'ukwinonora imitsi ryabereye i Bujumbura hamwe n'irindi rya gisirikare ryabereye mu ntara ya Gitega mu guhiganwa ku myimenyerezo ya gisirikare.Ayo mahiganwa akaba yari yitavye abasirikare bo mu mice yose yo mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi.*

Igisata kijejwe inyigisho za gisirikare,imyimenyerezo n'ibikorwa bijanye n'ukurwanya umwansi mu biro bikuru vy'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi caratunganije amahiganwa abiri mu gice ca kabiri c'umwaka w'ikoreshwa ry'amafaranga 2023-2024. Ihiganwa rya mbere rikaba ryari ryerekeye ugusiganwa mu kwiruka ryabareye mu kigo ca Olympafrica co mu Kanyosha mu kwezi kwa ndamukiza 2024.Iryo higanwa rikaba ryahuje abanonotsi b'abasirikare bava mu muce w'abasirikare barwanira hasi, abarwanira mu mazi, abarwanira mu kirere hamwe n'abandi bava mu bigo bifise imirimo vyisangije nk'ikambi y'abapolisi ba gisirikare, abakorera mu makambi ya rurindishangabo,abakorera muri Birigade idasanzwe ijejwe gucungera inzego z'igihugu hamwe n'abavuye mu bigo vy'inyigisho.Muri iryo higanwa, abanonotsi b'abasirikare bakaba basiganwa mu kwiruka ibirometero 21,imetero 10.000,5000,1500 n'ibindi. Abasirikare barwanira mu mazi akaba ari bo batahukanye igikombe c'ihiganwa. Ikibanza ca kabiri kikaba catwaye abajejwe gucungera inzego z'igihugu.



Birigade BSPI niyo yatahukanye igikombe mw'ihiganwa rya gisirikare ryabereye i Gitega

**Ukwinonora imitsi bituma abasirikare bama bafatanye mu nda**

Uwurongoye igisata kijejwe inyigisho za gisirikare, imyimenyerezo hamwe n'ibikorwa vyo kurwanya umwansi,Jenerari de Brigade Barandereka Télésphore yamenyesheje ko iryo higanwa ryatunganijwe mu ntumbero yo gukomeza ubushobozi bw'abanonotsi bongere barabe abashobora kugira imyanya myiza mu kwiruka.Ku bwiwe ngo aba ari n'akaryo keza ko gutoramwo abanonotsi bazoserukira umugwi wa Muzinga haba mu mahiganwa yo mu gihugu canke mu makungu.Jenerari de Brigade Barandereka yavuze ko ukwinonora imitsi bituma abasirikare bo mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi bakomeza umutima wo gufatana mu nda hagati y'abo.



Umuce w'abasirikare bagwanira mu mazi nibo batahukanye igikombe mw'ihiganwa ryo kwinonora imitsi rya gisirikare

**Ihiganwa rya gisirikare ryaratunganijwe**

Inyuma y'ihiganwa ry'ukwinonora imitsi mu kwiruka,ico gisata nyene caratunganije irindi higanwa rya gisirikare ryabereye mu ntara ya Gitega mu kwezi kwa rusama 2024. Abasirikare baturuka mu mice itandukanye hamwe n'amakambi nibo bitavye iryo higanwa.Bakaba bahiganywe muguca ku mitego,guca ku migozi yo hejuru ,gusiganwa mu kwiruka ibirometero 17 bafise ibikoresho vya gisirikare,guhiganwa mu gutora ibimenyetso vya gisirikare bakoresheje amakarata hamwe no gusiganwa mu kwiruka ibirometero 8 bashika barasa ku metero 100.Iryo higanwa rikaba ryama ritunganywa uko umwaka utashe mu ntumbero y'ugusuzuma neza ko ivyo abasirikare bize mu mwaka wagenewe inyigisho n'imyimenyerezo babifashe nka nkama, hamwe no kuraba urugero bagezeko nk'uko bimenyeshwa na Jenerari de Brigade Barandereka Télésphore. Iryo higanwa ryasozerewe ku ntsinzi y'abasirikare bakorera muri Birigade ijejwe gucungera inzego z'igihugu mu gutahukana igikombe.Bakaba bakurikiwe mu kibanza ca kabiri n'abasirikare bo muri Diviziyo ya 2 ifise icicaro i Gitega,hamwe n'abo mu bigo vy'inyigisho babaye aba gat

***MAJ NININAHAZWE J.M.V***

# Ikontenja y'Uburundi igira 8 ya Minusca yarangije mu buryo bushimishije ubutumwa bw'amahoro yahoramwo

*Gukingira abanyagihugu ba Centrafrika, gukingira abakozi b'urwego mpuzamakungu bakorera muri centrafrika (Minusca) hamwe n'ibikorwa vyo guherekeza ibikoresho vy' iryo shirahamwe nivyo bikorwa nyamukuru abasirikare b'abarundi barangura mu butumwa barimwo mu gihugu ca Centrafrika. Abo basirikare barafasha kandi abanyagihugu mu bikorwa bitandukanye babicishije mu gisata kijejwe imigenderanire hagati yabo hamwe n'abasangwa.*

Ikontenja igira umunani y' abasirikare b'abarundi bahora kubungabunga amahoro n'umutekano mu gihugu ca Centrafrika, baheruka kurangiza ubutumwa bw'amahoro bahoramwo muri ico gihugu. Ubutumwa bahoramwo bukaba bwari bushingiye ku gushira mu ngiro ibikorwa ishirahamwe mpuzamakungu ONU ririko rirangurira muri ico gihugu ku rwego rwa Minusca. Muri ico kiringo bari bamaze muri ico gihugu, mu ntumbero yo gucungera n'ugutsimbataza amahoro n'umutekano w'abanyagihugu ba Centrafrika, abasirikare b'ababarundi bararanguye ibikorwa vyo gukingira abanyagihugu mu gukizura ijoro n'umurango akarere bari bajejwe. Riyetena Koroneri Mbonyiyeze Jean Pierre yahora arongoye iyo Kontenja, amenyesha ko bashoboye gukizura incuro zirenga 8000 mu karere ajejwe. Nk'uko abandanya abishikiriza, bararanguye n'ibokorwa vyo guherekeza abakozi n'ibikoresho bitandukanye vy'ishirahamwe mpuzamakungu aha agashikiriza ko ibikorwa nk'ivyo bashoboye kubikora incuro zirenga 200.



*Abasirikare b'abarundi muri Minusca mu bikorwa vyo gukizura kugira bacungere neza umutekano w'abenegihugu ba Centrafrika*

### Ubufasha butandukanye bwarakorewe abanyagihugu ba Centrafrika

Ibindi abasirikare b'abarundi baranguye mu gikorwa co kubungabunga amahoro muri Centrafrika, baraserutse ku banyagihugu b'abasangwa babicishije mu gisata kijejwe imigenderanire mw'ikontenja y'8. Nk'uko bishikirizwa na Major Ndabicura yari ajejwe ico gisata muri iyo kontenja, abo basirikare barashoboye kuronsa, mu gihe c'ici, amazi meza imiryango irenga 200 mu burere bwa Sibut, Galafondo n'i Damara aho amazi yari yakamye mu mariba yaho. Baranaronkeje ibikoresho vy'ishure n'ivy'isuku abanyeshure ba ntahonikora b'i Sibut hamwe n'ab'i Nd'joukou.

Mu ntumbero y'uguteza imbere imigambi mitomito y'abanyagihugu, Riyetena Koroneri Mbonyiyeze amenyesha ko bafashije abenegihugu bahurikiye mw' ishirahamwe Londombilondo bo mu kigwati ca Kangamotema ya mbere iri ku birometero 10 uvuye i Sibut mu mugambi wo kugwiza imbuto y'ibiyoba birobanuye. Abakenyezi 20 nabo harimwo 15 bagendana ubumuga bakaba bararonkejwe ubumenyi bujanye n'ukudesa hamwe n'ukujisha udutambara, na batanu bazobandanya bigisha abandi.

Bafadikanije n'abajejwe igisata co kwaka ibigwanisho no gusubiza mu buzima busanzwe abahoze mu migwi yahora igwana, abasirikare b'ikontenja y'8 barafashije kandi mu gusanura ibiraro 3 biri kw'ibarabara rya Galabadja-Lisara muri sous prefecture ya Ndjoukou ku birometero birenga 140 uvuye i Sibut. Bafadikanije n'abajejwe igisata c'abasivile muri Minusca naho, abo basirikare barafashije mu bikorwa vyo gusanura inyubakwa izokoreramwo abaporisi i Dekoa. Harasanuwe kandi ikiraro ca Guiffa i Dekoa hamwe n'ica Kpaya i Galafondo.



*Abasirikare b'abarundi muri Minusca bafadikanije n'abenegihugu mu gusanura inyubakwa y'igipolisi i Dekoa muri Centrafrika*

Mu gisata c'amagara y'abantu, ba ntahonikora bo mu kigwati ca Bemba i Dekoa barashoboye kuvurwa ku buntu n'abo basirikare. Abo basirikare b'i kontenja kandi bakaba baranaronkeje imiti ivuriro ry'akarere ka Dekoa kugira babandanye bavura ku buntu abafise amikoro make.

### Abasirikare b'ikontenja y'8 barashimirwa ivyo baranguye

Nk'ikimenyetso co kubakeza ku bikorwa vyo kubungabunga amahoro bashoboye kurangurira abanyagihugu ba Centrafrika, abasirikare b'ikontenja y'8 barambitswe imidari. Muri ivyo birori, Riyetena Jenerari Humphrey Nyone asanzwe arongoye abasirikare b'urwego rwa Minusca yashikirije ko kwambika imidari abo basirikare ari ikimenyetso co kubakeza no kubakengurukira ku ruhara rudasanzwe bagize mu bikorwa vyo kubungabunga amahoro n'umutekano muri Centrafrika.

Lydie Georgette Gahoro, arongoye intara ya Kemo nawe nyene arashima cane ivyaranguwe n'abo basirikare mu ntara yiwe arongoye. Yavuze ati :«abenegihugu ndongoye baranezerejwe kandi barabakengurukira cane ibikorwa abasirikare b'ikontenja y'8 babakoreye».

### Ikontenja y'8 yarafashije abagwaye mu gihugu c'amavukiro

Abasirikare b'abarundi b'ikontenja y'8 bahora kugarukana amahoro n'umutekano mu gihugu ca Centrafrika, bagarutse mu ghugu c'abo c'amavukiro barafashije, kw'igenekerezo rya 27 rusama 2024, abagwayi batishoboye mirongo itanu bari bagwariye mu bitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge ku rugero rw'amafaranga y'amarundi arenga 15.000.000.

Twobibutsa ko abasirikare b'ikontenja y'8 bari bagiye mu butumwa bw'amahoro mu gihugu ca Cenrafrika kuva igenekerezo rya 22 Munyonyo 2022, bakaba barangije neza ubwo butumwa kw'igenekerezo rya 20 Ntwarante 2024.

***MAJ CIZA ANATOLE***

# Ivyaranguwe na Kontenja y'Uburundi ya ATMIS birashimishije

*« Ikontenja y'Uburundi ya ATMIS yararanguye ibikorwa bitari bike mu kiringo c'amezi atandatu y'umwaka w'i2024 », Vyamenyeshejwe n'uwurongoye iyo Kontenja Koroneri Hatungimana Oscar mu kiganiro yahaye ikinyamakuru gisohoka buri kwezi Rumurikirangabo mu kwezi kwa Ruheshi 2024.*

Ashikiriza ivyaranguwe mu kiringo c'amezi atandatu, uwurongoye Kontenja ya 15 y'Uburundi ya ATMIS yamenyesheje ko mu kiringo c'amezi atandatu y'umwaka w'i 2024 umutekano wagumye wifashe neza mu karere ka gatanu gacungerewe na Kontinja y'Uburundi naho rimwe na rimwe ari mahindagu. Mu ntumbero yo kwongereza morare y'abasirikare no kubatera intege kugira bashobore guhangana n'umwansi wa misi yose ariwe intagondwa zabihevyi al-shababu. Uwurongoye Kontenja y'Uburundi yaragendeye ibirindiro vyose vy'abasirikare bo mu karere ka gatanu. Uwo arongoye iyo Kontenja yagumye yibutsa abasirikare ko imico n'imigenzo myiza biranga urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburndi(FDNB)hamwe n'ingingo ngenderwako z'igenga ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afirika ko bitegerezwa kubahirizwa atanakimwe kivuyeko.



*Ibatayo za 70 na 71 ATMIS zaragombowe n'ibatayo za 72 na 73 ATMIS muri Somaliya*

### Ku ruhande rw'ibikorwa vya Gisirikare

Ku bwa Liyetena Koroneri Guy Emmanuel Ntirampeba ajejwe inyigisho, imyimenyerezo n'ibikorwa vya gisirikare muri iyo Kontenja,ibikorwa vyaranguwe ni cane cane kubisikanya hagati y'ibatayo ya 70 na 71 zisubiriwe n'iya 72 na 73 za ATMIS, hamwe no gutegura igabanywa ry'abasirikare ba ATMIS. Yaratomoye neza kandi ko Kontenja y'Uburundi yabandanije icungera umutekano w' inzego za Leta ya Hirshabelle hamwe n'ibibanza bikomeye biri mu karere gasanzwe gacungerewe n'ingabo ziyo Kontenja.

### Ku ruhande rw'inyigisho

Mu ntumbero yo kugira abanyamwuga babushitse abasirikare,inyigisho zaba izitangwa n'abo muri Kontenja canke abava hanze kunyungo y'abasirikare ba Kontenja y'Uburundi zaratunganijwe. Aha twovuga inyigisho z'abasirikare ba karuhariwe baba komando mu gutabara vyihuta arivyo bita (Elément Commando d'Action Rapide) Mu gucungera abarongozi bo kurwego rwo hejuru , hamwe n'inyigisho zijanye no kurondera no gutegura ibisasu bitegwa mu mabarabara arivyo mururimi rw'igifaransa bita( fouilles et nettoyages des routes pour faire face aux Engins Explosifs Improvisé). Liyetena Koroneri Salvator Minani, arongoye igisata kijejwe inyigisho yamenyesheje ko abunganira igisata c'inyigisho bavuye hanze harimwo igisata c'ishirahamwe mpuzamakungu ONU bita UNMAS kijejwe kurwanya ibisasu biturika n'ama Mines.

Izindi nyigisho nkarishabwenge zaratanzwe mu bisata nka vyose vya Kontenja hisunzwe urutonde rw'imigambi yivyategekanijwe kurangurwa mu mwaka wa 2023 ushira uw'i 2024.

### Ku ruhande rw'imigenderanire

I Kontenja y'Uburundi ya ATMIS yarakiriye mu rugendo abarongozi batari bake b'icubahiro aha twovuga nk'umukuru wa leta ya Hirshabelle Ali Abdullahi Hussein n'icegera ciwe Yusuf Ahmed Hagaar. Akaba ari ikimenyetso c'imigenderanire myiza hagati ya ATMIS n'uburongozi bwa Hirshabelle. Mu buryo bwo gushima, inka zine zaratanzwe kuri Kontenja y'Uburundi. Uwurongoye Kontenja ya 15 y'Uburundi kandi yarakiriye icegere c'uwurongoye igisata kijejwe ibikoresho mw'ishirahamwe mpuzamakungu (UNSOS) rijejwe gufata mu mugongo ishirahamwe ATMIS, Miguel Pardo, icegera c'uwurongoye ingabo za ATMIS akaba ajejwe ibikoresho n'intwaro muri ATMIS Jenerari Majoro Kimani Muteti hamwe n'icegera c'uwurongoye ingabo za ATMIS ajejwe ibikorwa vya gisirikare no gutunganya imigambi Jenerari Majoro Marius Ngendabanka hamwe n'abandi.

Kubijanye n'ibikorwa vy'imigenderanire hagati y'abasirikare n'abanyagihugu, aha twovuga gutanga amazi meza no gufasha kuvura abanyagihugu ba Somaliya hamwe n'ibikorwa vy'ugufasha mu gutanga ibifungurwa ku ba Somaliya babikeneye gusumba abandi bo mwi kambi yabateshejwe izabo ya Towfik.



*Umukuru w'igihugu ca Reta ya Hirshabelle arashima ukwitanga kw'ingabo z'Uburundi muri Somaliya*

***MAJ NDAYISABA ROGER***

# Ugusozera umwaka w'inyigisho mu muce w'abasirikare bagwanira mu kirere

*Umuce w'abasirikare bagwanira mu kirere warahimbaje umuvunyi w'abakorera murico gisata umweranda Eloi bongera basozera umwaka w'inyigisho 2023-2024 mu kigo c'ikambi y'abasirkare bagwanira mu kirere c'I Bujumbura. Kakaba kandi kabaye akaryo ku ntwazangabo n'ibisongerezi bo muri uyo muce bakwirikiranye inyigisho zitandukanye kuronswa impapuro z'umutsindo.*

Mu ntumbero yo gusozera umwaka w'inyigisho, uburongozi bw'umuce w'abasirikare bagwanira mu kirere bwaratunganije ibirori vyo gusozera umwaka w'inyigisho wa 2023 ushira 2024 mw'ikambi y'abasirikare bagwanira mu kirere y'I Bujumbura. Ivyo birori bikaba vyari vyatewe iteka n'icegera c'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi Riyetena Jenerari Habimana Jean Paul. Muri ivyo birori, intwazangabo 6 harimwo abadereva 4 naba injeniyeri mekanisiye 2 hamwe n'ibisongerezi 16 vy'abamekanisiye nibo baronse impapuro z'umutsindo.



*Abaronse impapuro z'umutsindo bahamagarirwa kwamiza ku mutima ibanga rihambaye bajejwe*

Nkuko bisanzwe bimenyerewe, uburongozi bw'umuce w'abasirikare bagwanira mu kirere bukaba bwaciye bufata ako karyo mu guhimbaza umusi mukuru w'umweranda Eloi asanzwe ari umuvunyi wabakorera murico gisata. Umweranda Eloi rero akaba yatowe nk'akarorero mu kwitanga kwiwe, k'ukugene yakora atiziganya, ukwicisha bugufi, inyota yo kugomba kumenya vyinshi, ugushikirana nabandi, ubunyakuri bwiwe ndetse nukumemya umwuga.

Mw' ijambo ryiwe, icegera c'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Riyetena Jenerari Habimana Jean Paul akaba ari nawe yaserukiye urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi muri ivyo birori yarashimiye uburongozi bw'umuce w'abasirikare bagwanira mu kirere ku mwitarariko bushira mu gisata c'inyigisho. Ku bari bahejeje kuronka impapuro z'umutsindo, akaba yarabashimiye ku mwete n'indero ya gisirikare yabaranze mu gihe c'inyigisho akabahamagarira gukubita agatima mpembero ku buremere bw'ibanga ribarindiye.

Umukuru w'umuce w'abasirikare bagwanira mu kirere Jenerari de Brigade Ndabashinze Hermalas nawe akaba yarakengurukiye uburongozi bw'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ku bufasha budahengeshanya gutanga ku mice itandukanye y'urwo rwego na cane cane ku muce w'abasirikare bagwanira mu kirere. Akaba kandi yarashimiye abaronse impapuro z'umutsindo hamwe nababakurikiranye muri izo nyigisho anabamenyesha ko inyigisho n'imyimenyerezo vyategerezwa kuba umwitwarariko wa misi yose. Aha rero akabahamagarira kuja mu makanda y' umweranda Eloi nukwama bafise ku mutima inkingi z'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi.


*Inyigisho n'imyimenyerezo bitegerezwa kuba umwitwarariko wa minsi yose*

Twobibutsa ko hari umugwi w'abasirikare bagwanira mu kirere wo mu gisirikare c'Uburundi uriko urangurira ubutumwa bwo kugarukana amahoro mu gihugu ca Somalia mu rwego rwa ATMIS.

***CAPT IRADUKUNDA JUSTE***

# Basabwa kwama berekana ishusho nziza y'urwego FDNB muri ATMIS

*Abasirikare bo mu ma batayo ya 72 na 73 ya ATMIS basabwa kwama bubahiriza inkingi zitanu z'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, ubwo ni ubutumwa batekerewe n'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi , Jenerari Niyongabo Prime aho yariko aganira n'abo basirikare kw'igenekerezo rya 20 rusama 2024 , buca barungikwa kugarukana amahoro mu gihugu ca Somaliya.*

Igihe cose imbere yuko abasirikare b'abarundi barungikwa mu butumwa bwo kugarukana amahoro n'umutekano mu bindi bihugu, uburongozi bw'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi buratunganya inama kurabo basirikare bahoramwo mu vyerekeye cane cane ingene urwego bazoba batwarwamwo ingene ruzoba rutunganijwe. « Mutegerezwa kwama mugendera na ntaryo za nkingi zitanu z'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi arizo indero ya gisirikare,




*Abasirikare bo muma batayo ya 72 na 73 ATMIS basabwa kwama bagendera na ntaryo za nkingi zitanu z'urwego FDNB*

kugira bubatekerere ingingo ngenderwako aho bazoba bariko barangurira ubwo butumwa.Ni mur'iyo ntumbero , umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerari Niyongabo Prime, yatunganije inama kurabo basirikare bo mu ma batayo ya 72 na 73 ya ATMIS kugira abatekerere ingingo nyamukuru bogenderako kandi bagakurikiza aho hose bazoba bariko barangurira ubutumwa bwo kugarukana amahoro n'umutekano mu gihugu ca Somaliya.

Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi , Jenerari Niyongabo Prime mw'ijambo yashikirije abo basirikare, yamenyesheje ko bagiye muri ubwo butumwa mu bihe bidasazwe aho ubutumwa ATMIS buzorangira muri kigarama 2024. Yaciye ategeka abo basirikare bagiye kugarukana amahoro n'umutekano kwama na ntaryo berekana ishusho ryiza ry'igihugu cacu c'Uburundi muri rusangi n'ishusho ry'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi bimwe vy'umwihariko kugira bashobore kubandanya ubwo butumwa buzoba atagukekeranya budasa n'ubwo ugukunda igihugu , gufatana mu nda, kurangura ibikorwa vya gisrikare hisunzwe amatego vy'umwuga wa gisirikare hamwe n'ukubaha amategeko y'igihugu. Kurenga kur'izo nkingi , ni nko kurengana umurongo utukura udashobora kurengwa » , nkuko umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerari Niyongabo Prime yabishimikiyeko. Mu gusozera, yategetse abo basirikare kugwanya bimwe biboneka za ntagondwa z'umurwi w'iterabwoba Al shabaabs aho hose zizoba zinyegeje kuko kugira wikingire neza, utegerezwa gutera umwansi aho hose yoba ari.

Mu kwunganira, icegera c'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi , Riyetena Jenerari Habimana Jean Paul yabwiye abo basirikare bagire baje mu butumwa muri Somaliya ati : « Kwinjira mu butumwa bushasha inyuma ya kigarama 2024 , aho ubutumwa ATMIS buzoba burangiye , bizovana n'ingene muzoba mwitwaye imbere yaho. Arico gituma yaciye abategeka kwama bagendera indero ya gisirikare aho bari hose kuko ariyo nkingi ikomeye iranga igisirikare icar'ico cose. Aca abasaba kandi kuzoba abaserukizi beza b'Uburundi aho hose bazoba barungitswe gukorera ubutumwa.

Uwurongoye umuce w'abasirikare bagwanira hasi, Jenerari majoro Niburana Jean claude, yahora arongoye kontenja ya 15 ya ATMIS nawe nyene yarunganiye abavuze imbere yiwe, amenyesha ko ATMIS ifise ubutumwa bwo kugwanya za ntagondwa z'umurwi Al Shabaabs. Aca ahamagarira abo basirikare kugwiza ibikorwa vyo gukizura mw'ijoro no kumutaga kugira umwansi ntabace mu ryahumye. Yabasavye kwama bategura neza aho babaye kugira baburizemwo za modoka z'intagondwa kwinjira zuzuye ibisasu biturika, ngo biheze bibagirire nabi. Yarangije asaba abasirikare kwama na ntaryo barikanuye, ati kuko utambana na mukeba ntakubita urugohe kugira baburizemwo ico cose coza gihungabanya umuteko mu karere bazoba bakoreramwo.

Abasirikare bo mu ma batayo ya 72 na 73 ya ATMIS bakaba bakoreye mu ngata bagenzi babo bo mu ma batayo ya 70 na 71 ya ATMIS bari bamaze umwaka barangura ubutumwa bwo kugarukana amahoro n'umutekano mur'ico gihugu ca Somaliya.

***MAJ NGEZAHAYO SERGE***

# Urwego FDNB :igihe c'isekeza ryo kwimbura ikawa mu Kayanza

*Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ruri mw'isekeza ryo kwimbura ikawa mu Kayanza, mu murima ufise uburinganire bungana na hegitare mirongo itanu n'umunani. Itoni imwe n'ibiro amajana atandatu vy'ikawa yo mu murwi wa mbere hamwe n'ibiro amajana indwi na mirongo itatu na kimwe yo mu murwi wa kabiri niyo imaze kwimburwa.*

Mu ntumbero yo guterera mw'iterambere ry'igihugu , hambavu y'ubutumwa nyamukuru, rujejwe , urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwariyemeje guterera ikawa mw'i rango mu ntara ya Kayanza, i Mutumba mu ntara ya karusi hamwe no ku Mutukura mu ntara ya Cankuzo. Uwujejwe gukurikirana igiterwa c'ikawa mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Riyetena rw'Uburundi na cane cane mu kubaronsa imiti yo gupompa imivyaro y'ikawa kugira ishobore gukura neza, mu ntumbero yo kuronka umwimbu mwiza.



Urwego FDNB mw'isekeza ryo kwimbura ikawa mu Kayanza

mw'iterambere ry'igihugu mu rwisunze ingingo ya 17 iri mw'itegeko bwirizwa n01/ 21 ryo ku wa 27 ruheshi 2022, rivuga ko urwego FDNB rwunganganira mw'iterambere ry'igihugu mu bikorwa binini binini vyerekeye ineza ya bose yo kugwiza umwimbu , ivy'ugutanga inyigisho hamwe n' inyigisho z'ugukunda igihugu.

Mu gisata c'Uburimyi, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwafashe intumbero yo kunagura igiterwa ncabukamazi c'ikawa. Arico gituma rufise imirima ingana na hegitare zitandatu z'ikawa aho bita ku bibara muri komine Mutumba , intara ya karusi, , hegitare cumi na zine ku Mutukura mu ntara ya Cankuzo, hegitare cumi na zitanu mw'i rango hamwe na hegitare mirongo itanu n'umunani mu kayanza.

Muri kino gihe rero, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, ruri mw'isekeza ryo kwamura ikawa mu Kayanza. Ibiro bingana itoni n'ibiro amajana atandatu vy'ikawa yo mu murwi wa mbere n'ibiro amajana atatu na mirongo indwi na kimwe vyo murwi ugira kabiri niyo imaze kwamurwa mu Kayanza. Igikorwa nk'ico co kwamura koroneri Cimpaye Augustin avuga ko umwimbu mur'iryo sekeza uzoba mwiza. Yaramenyesheje kandi ko inyuma y'iryo sekeza, hazoca hakurikira ibikorwa vyo gusasira no gupompa ikawa.

Muri kazoza, kugira amatuta mashasha kugira bagure imirima y'ikawa hamwe no kubaka ihinguriro bwite ryurwo rwego biri mu migambi y'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi kugira rushobore guteza



Isekeza ryo kwamura ikawa mu Kayanza

Murico gisata c'ikawa , urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rurakorana neza n'igisata kijejwe guteza imbere igiterwa c'ikawa (ODECA) . Riyetena koroneri Cimpaye Augustin arashima ingene ico gisata gikorana neza n'urwego rw'ukwivuna abansi imbere ico giterwa ncabukamazi kandi gishobora kuzana amafranga mvamakungu nkuko Riyetena koroneri Cimpaye Augustin yabishikirije.

***MAJ NGEZAHAYO SERGE***

# Ibitaro vy'abasirikare bari ku kivi kugira ngo bavure neza abagwayi

*Mu ntumbero yo gushira mu ngiro imbono kazoza "y'ibitaro vy'akarorero, vyemewe, bihiganwa ku rwego rw'igihugu no mu karere", ibitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge birakora uko bishoboye kwose mukwakira neza abagwayi bitura ivyo bitaro.*

Muvyo ibitaro vy'abasirikare bijejwe harimwo ukuvura abasirikare n'imiryango yabo hamwe n'umuntu wese yituye ivyo bitaro. Kugira ngo barangure neza ivyo bajejwe, Umuyobozi mukuru yamenyesheje ko uwo mwimenyerezo watumye abakozi bo ku bitaro vy'abasirikare bahana ubumenyi n'abo basirikare bari bavuye mu gisirikare c'Amerika. Yamenyesheje kandi ko ibindi



*Abaganga b'igisirikare ca Amerika mu mwimenyerezo kugira bahanahane ubumenyi n'abaganga bo kuri HMK*

ibitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge vyarashizeho icivugo:" Ukwakira abagwayi neza mu bitaro bisukuye". Ni mur'iyo ntumbero ibitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge vyaranguye ibikorwa bitari bike kugira ngo batunganirize neza abagwayi.

### Ibikorwa vyaranguwe ku neza y'abagwayi

Umuyobozi mukuru w'ibitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge muganga Jenerari de Brigade Nimburanira Marc yamenyesheje ko mu gice ca kabiri c'ikoreshwa ry'amafaranga vy'umwaka w'2023-2024, ibitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge barabandanije kwakira no kuvura abagwayi. Ibindi bikorwa vyaranguwe ni ibi bikurikira: ukugura ibikoresho bishasha, imiti hamwe n'ibikoresho bakoresha mu gupima ingwara z'igitigu B na C. Baratunganije n'inyigisho zo gukarihiriza ubwenge abakozi hamwe n'ababafasha. Ivyo bitaro barakiriye kandi umugwi w'abaganga bo mu gisirikare ca Amerika mu mwimeneyerezo witwa "Medical Readyness Exercice" wamaze indwi zitatu.

bikorwa bikiriko biratunganywa. Ivyo navyo bikaba ari inyubakwa izokoregwamwo ibikorwa bijanye n'ibagwa ry'umutima



*Inzu yo kuzobagiramwo ingwara z'umutima iriko irubakwa*

hamwe n'inyubakwa izoshigwamwo icuma kimurika "Scanner"

### Intambamyi zimwe zimwe bahuye nazo mukurangura ivyo bikorwa

Muganga Jenerari de Brigade Nimburanira Marc yamenyesheje ko ibitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge ko intambamyi nyamukuru bahuye nazo mu gushira mu ngiro ibikorwa vyari bitegekanijwe ari amafaranga atarishwe hamwe n'amadeni y'umurengera, amafaranga atangwa ya Reta ari make, ikena ry'abaganga b'abahinga barondegwa cane n'abagwayi nk'umuhinga abaga imitsi n'abandi hamwe n'icagagurika ry'umuyagankuba bituma ibikoresho vyo ku bitaro bihononekarira.

### Ivyo bategekanya kuzorangura

Ubuyobozi bukuru bw'ibitaro vyo mu Kamenge yamenyesheje ko ibitaro bitegekanya kwubaka inzu yo kuvuriramwo abasirikare n'imiryango yabo, kwubaka aho bazota imicafu, kugura icuma co gukingira ibikoresho "Onduleurs" vyo kwa muganga n'ibindi bikoresho. Vyongeye, ibitaro bitegekanya kugura imiti mu bihugu vyo hanze, ibikoresho vyo gukoresha mu gupima ingwara hamwe n'ibikoresho vy"ikiganga vyo mu bisata vyo ku bitaro vyo mu Kamenge, gukingira uruzitiro rw'ibitaro hamwe no gukomeza ubuhinga bwo kwegeranya amafaranga kuri ivyo bitaro.

***MAJ NGENZEBUHORO ALICE***

# Urugendoshure rw'intwazangabo za Nigeria mu Burundi

*Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwarakiye intwazangabo zo kw'ishure kaminuza ryo gutwara no gutunganya ivyerekeye ingabo muri Nijeria bari mu rugendoshure mu Burundi kuva kw'igenerekezo rya 19 gushika kw'igenekerezo rya 26 Rusama 2024. Bakaba barakurikiranye inyigisho n'ibiganiro bitandukanye mu bisata vya politike, imibano, ubutunzi hamwe n'umutekano bizobafasha mu bikorwa vyabo vy'ubushakashatsi.*

Mu ntumbero yo guheraheza inyigisho no gutsimbataza ibikorwa vy'ubushakashatsi kw'ishure kaminuza ryo gutwara no gutunganya ivyerekeye ingabo muri Nijeria, iyo kaminuza yaratunganije



*Ibiganiro n'intererano vyabaye ngirakamaro*

ingendoshure mu bihugu 7 vyo muri Afrika n'igihugu c'Uburundi kirimwo. Umugwi w'intwazangabo wagendeye igihugu cacu ukaba warugizwe n'intwazangabo 39 harimwo abanyeshure 35 n'abigisha babakurikirana 4 biyo kaminuza. Icivugo c'urwo rugendoshure cari << Intwaro ibereye mukurushirizaho kurangura neza ibikorwa vyo kwivuna abansi>>. Uwo mugwi rero ukaba wararonse akaryo ko guca irya nino ico civugo biciye mu nyigisho ndetse no guhanahana ivyiyumviro mu biyago vyari vyatunganijwe. Bakaba barashoboye kugendera ibiro bikuru vy'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, ishure kaminuza ryo gutwara no gutunganya ivyerekeye ingabo ryo mu Kinanira, ibitaro vya gisirikare vyo mu Kamenge, ubushikiranganji bw'ikigega ca Leta, ishirahamwe Itracom n' umugambi wo kwitunganiriza imigambi no gufata mu mugongo urwaruka PAEEJ. Babifashijemwo n'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, uwo mugwi ukaba waranagendeye ibibanza vy'iratiro vyaba mukerarugendo nko mu Gishora, i Kiganda hamwe no kw'isoko ry'uruzi Nil mu Rutovu.

Umukuru w'igisata kijejwe inyigisho mu rwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerari de Brigade Niyungeko Léonidas akaba yarashimiye kw'izina ry'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi iyo shure Kaminuza ryo gutwara no gutunganya ivyerekeye ingabo ryo muri Nijeria kubona ryaracaguye kugira urugendoshure mu




*Gufashanya hagati y'ibihugu mu gutora inyishu z'ibibazo no gutunganya imigambi ku rwego rwo hejuru mu gutegura kazoza keza*

gihugu c'Uburundi; akaba ari ikimenyetso kigaragaza ubucuti buri hagati y'ivyo bihugu vyompi nakaryo ko kubutsimbataza. Akaba yaranamenyesheje ko uru rugendoshure ruri mu ntumbero z'ibihugu mu gukomeza igisirikare c'umwuga. Yaranashimitse kandi ku kamaro kanini ko gufashanya hagati y'ibihugu na cane cane mu gutorera inyishu ibibazo n'ugutunganya imigambi yo kurwego rwo hejuru mu gutegura kazoza keza.

Kubwa Commodore Francis Dickson Chigbata, yararongoye uyo mugwi, mw'ijambo ryiwe akaba yarakengurukiye Leta y'Uburundi biciye mu bushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba n'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi kubona barabemereye kuza gukora urugendoshure mu gihugu c'Uburundi ndetse akanakenguruka ku mutima w'urukundo n'igishika bakiranywe. Yaranakengurukiye kandi inzego n'ibigo bitandukanye bagendeye nuko ibiganiro bitandukanye vyari vyateguwe neza kandi vyabagiriye akamaro. Akaba yamenyeshe ko bahimbawe no kugendera ikigo c'iratiro co mu gishora aho biyumviye umurisho w'ingoma z'Uburundi, no kw'isoko ry'uruzi Nil mu Rutovu aho bahavuye batahuye ko ariryo soko koko ry'uruzi Nil riri mu bumanuko. I Kiganda naho, abo bashitsi bakaba barashimye ubukerebutsi n'ubutwari bw'ingabo z'umwami Mwezi Gisabo zashoboye kurinda umuzo w'abadagi imyaka igera kuri 7 gushika amasezerano y'ikiganda ashizweko umukono.

***CAPT IRADUKUNDA JUSTE***

# Amagara meza y'abasirikare n'imiryango yabo, ni umwitwarariko w'urwego rwa FDNB

*Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi (FDNB), ruritwararika cane ibijanye n'amagara y'abasirikare n'imiryango yabo. Ni muri iyo ntumbero igisata kijejwe amagara y'abasirikare mu rwego FDNB rukora rutiziganya kugira ibibazo bijanye n'ivyamagara y'abasirikare bitorerwe umuti.*

Igisata kijejwe amagara y'abasirikare mu rwego FDNB, gifise ihangiro ryo gufasha abagize igisirikare kubijanye no kuvurwa neza, kubafasha kubijanye n'imibereho, gutunganya ibijanye n'imiti hamwe n'ibindi bikoresho vyo kwa muganga.

Muri iki gice ca kabiri c'umwaka, igisata kijejwe amagara y'abasirikare cararanguye ibikorwa bitari bike. Ico gisata carabandanije ibikorwa vya minsi yose harimwo n'ivyo gufasha abaja kugarukana amahoro mu makungu kuvyerekeye amagara yabo. ku ruhande rw'abo baja mu butumwa bwo kugarukana amahoro, ico gisata gitunganya ibijanye n'imiti, incanco, ibipimo vyo kwa mugana n'ibindi nk'uko bimenyeshwa na Muganga Riyetena koroneri Nizigama Désiré arongoye igisata c'amagara y'abasirikare mu rwego FDNB.

Kubijanye n'ibikorwa vya minsi yose, abasirikare n'imiryango yabo babandanije baronswa ivyo bakenera kuvyerekeye amagara yabo mu mavuriro y'igisirikare aho ari hose mu gihugu hamwe n'ibindi bitaro vya Leta bisanzwe bifashanya n'igisirikare. Abakenera ubufasha bwo kuvurwa biciye mu gasandugu ko gufashanya k'abasirikare CASSOM, barabandanije gutunganirizwa bakurikije intumbero bahabwa n'abarongoye igisirikare. Igisata kijejwe amagara y'abasirikare caratunganije kandi inyigisho zitari nke zo gukarihiriza ubwenge abakozi bafadikanije n'ishirahamwe PSI Burundi kugira babandanye bakira neza ababitura. Muri iyo ntumbero nyene, umurwi ugira cumi na kane w'abasirikare batobato bigishwa ivy'ubutabazi bw'ibanze mu gihe hari abakomerekeye ku rugamba nabonyene baherutse gukoreshwa ibibazo mu Burundi mu gufashanya kubijanye n'amagara yo mu mutwe. Ico gisata kiramaze kwakira umurwi waje uva mu buhorande nayo ibiganiro hamwe n'ubuserukizi bw'ubuswise mu Burundi bikaba bigeze ku ntambwe ishimishije.

Muganga Riyetena Koroneri Nizigama Désiré amenyeshako muri kino gice c'akabiri c'umwaka w'ikoreshwa ry'amafaranga ya Leta bahuye n'intambamyi zimwe zimwe. Muri izo amenyeshako hibonekeje cane benshi basaba kuja kwivuriza mu bitaro vyigenga kandi uburyo bwariko burahera ari naho haciye hafatwa ingingo yo kuba barabangiriye bimenyeshwa na Muganga Riyetena Koroneri Nizigama Désiré arongoye igisata c'amagara y'abasirikare mu rwego FDNB.



*Abarangije inyigisho basabwa gushira mu ngiro ivyo bize*

Mu ntumbero yo gukomeza imigenderanire hamwe n'amakungu, igisata kijejwe amagara y'abasirikare kiriko kirakorana n'igihugu c'Ubuhorande n'ubuserukizi bw'ubuswise vy'imfatakibanza ugufashanya hamwe n'ibitaro vy'abikorera utwabo.



*Inyigisho kugira barangure neza akazi bajejwe*

Muganga Riyetena Koroneri Nizigama Désiré arongoye igisata c'amagara y'abasirikare mu rwego FDNB asozera ashimira abarongoye urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ingene badahengeshanya kubashigikira kugira ibikorwa bigende neza, abasirikare bakore akazi kabo amagara yabo ameze neza.

***CAPT NTAKARUTIMANA RUTH***

# Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi buritwararitse ineza y'abahoze ku rugamba

*Ubushikiranganji bw'ukwivunabansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba bukora ijoro n'umurango kugira abahoze ku rugamba bashobore kubaho neza mu buzima busanzwe kandi biteze imbere. Itegeko nshikiranganji N°520/540/705 ryo kuwa 22/05/2024 rishiraho ishirwamungiro ry'itegeko ry'Umukuru w'igihugu n°100 /262 kuwa 18/11/ 2021 rigenga abahoze ku rugamba rikaba ryarasinywe.*

Ubuyobozi bukuru bujejwe gukurikirana abahoze ku rugamba ni bumwe mu buyobozi bugize ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi bukaba bufasha mu bibazo bitandukanye. Bimwe muvyo ubwo bushikirananji ryo ku wa 18/11/ 2021 rigenga abahoze ku rugamba rikaba ryarasinywe.

Mu gice ca kabiri c'uyu mwaka w'2024, nk'uko bimenyeshwa n'umuyobozi mukuru ajejwe gukurikirana abahoze ku rugamba Ngozi hamwe n'iyo gusya i Bubanza.

Ubuyobozi bukuru bujejwe gukurikirana abahoze ku rugamba bukaba bwahuye n'intambamyi zijanye n'uburyo bwo kwiyunguruza kugira bashike ku bahoze ku



*Abahoze ku rugamba bahamagarirwa kuja hamwe mu ma koperative*

bufasha hakaba harimwo gushigikira abagendana ubumuga kubijanye n'amagara yabo, mu kubavuza canke kubaronsa ibikoresho bibafasha cane cane abatakaje ibihimba vy'umubiri. Aha twovuga nko kubaronsa insimburangingo, intebe bagenderamwo, inkoni n'ibindi. Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba bubicishije mu buyobozi bukuru bujejwe gukurikirana abahoze ku rugamba, burashigikira abahoze ku rugamba mu kubafasha mu bikorwa vyo kwiteza imbere. Muri kino gihe, itegeko shikiranganji N°520/540/705 ryo ku wa 22/05/2024 rishiraho ishirwamungiro ry'itegeko ry'Umukuru w'igihugu n°100 /262 Jenerari de Brigade Dominique Nyamugaruka ibikorwa bikuru bikuru vyaranguwe mu bisata bibiri. Igisata ca mbere ni ico gushigikira abahoze ku rugamba mu vya nkenerwa vya mbere. Ubwo buyobozi bukaba bwabandanije kubashigikira kuvyerekeye kuvurwa hamwe n'ibindi bikoresho bibunganira mu magara yabo. Bararonkeje kandi abamugariye ku rugamba bari mubirwati ibikoresho vyo mu nzu vyo kwifashisha nk'amamatera, ibitanda, barabarihira amatara n'amazi aho bamaze kuyaronka hamwe no ku baronderera abatarabironka n'ibindi. Igisata kigira kabiri kikaba cerekeye gushigikira amakoperative y'abahoze ku rugamba. Kuri urwo ruhande, inka n'inkwavu vyaratanzwe ku makoperative y' i Muhanga, Shombo, Ngarama na Matongo hamwe n'ibitiba vy'inzuki i Zege i Gitega. Imachine zibiriri zo gukanyisha zaratanwze i rugamba aho bari hose mu gihugu, uburyo bw'amafaranga hamwe n'ikena ry'imiti imwe imwe iyitwa « spécialités », nk'uko bimenyeshwa na Général de Brigade Dominique Nyamugaruka.

Ku ruhande rw'imigambi ya kazoza, ubushikiranganji bw'ukwivunabansi no kwitaho abahoze ku rugamba bubicishije mu buyobozi bukuru bw'abahoze ku rugamba buzobandanya gushigikira abahoze ku rugamba mu kubavuza, mu gushigikira amakoperative y'abahoze ku rugamba hamwe no gukurikirana ishirwa mu ngiro ry'itegeko ribagenga.

***CAPT RUTH NTAKARUTIMANA***

# Ibiro bijejwe gutegekaniriza kazoza abasirikare b'urwego FDNB biri ku kivi

*kinyamakuru Rumurikirangabo (IR) caraganiye n'uwurongoye ibiro bijejwe gutegekeraniriza kazoza abasirikare b'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi Koroneri Kageza Gérard (KG) mu ntumbero yo kumenya ibikorwa vyaranguwe n'ivyo biro mu gice ca kabiri c'umwaka mu ntunganyo y'ikigega ca Leta 2023-2024.*

**IR: Ni akahe karusho kazanywe n'ibwirizwa inumero 1/12 ryerekeye igitabo c'amategeko agenga ugukingira no gutegekaniriza kazoza abasirikare?**

**KG**: Iryo bwirizwa rifise akamaro kanini urigereranije n'iryahahora. Rirategekanya gukingira umuntu wese cane cane ivyerekeye uburyo bw'ugutegekaniriza kazoza haba ipansiyo nyamukuru canke iyunganira, ivyerekeye ibisata vy'ugutegekaniriza kazoza imirwi imw'imwe n'ivyo gutegekaniriza kazoza ata gahato, ugukingira abanywanyi ku mashirahamwe y'ugushigikirana mu gutegekaniriza kazoza abakozi hamwe n'ugutegekaniriza kazoza umuntu aronswa imfashanyo atantererano yatanze. Igisata c'amapansiyo naco kikaba kijejwe kurangura ivyategekanijwe abasaza, abamugaye hamwe n'ibikorerwa abasigwa n'uwategekanirijwe kazoza.

Umunywanyi w'ishirahamwe ryo gutegekaniriza kazoza abakozi INSS, ahuye n'ikibazo c'amagara bitumwe n'ibikorwa vy'akazi kiwe ka minsi yose canke uburwayi bwo mu mutwe, akaba asigaje imyaka cumi y'akazi kugira aronswe ipensiyo yiwe ihabwa abageze muzabukuru, bikaboneka neza ko atagishoboye akazi ka minsi yose arafise uburenganzira bwo gusaba ipensiyo imbere y'ikiringo cemewe n'amategeko abandi bayironkerako mu gihe ataburwayi bafise. Ivyo biri mu ngingo ya 74 yo mw'itegeko rishasha. Ni nkuko ingingo ya 75 yo mw'itegeko rishasha itanga uburenganzira k'umunywanyi w'ishirahamwe ryo gutegekaniriza kazoza abakozi INSS yipfuza gukukuruka asigaje imyaka itanu y'akazi. Ipensiyo y'ubusaza n'ipensiyo y'uwusavye gukukuruka imbere y'imyaka yiwe y'akazi bitangurira ku munsi w'ukwezi kwa mbere yinjiye mu buzima busanze atari ubw'igisirikare mu gihe aba yujuje ibisabwa vyose kandi yaronse ubwo burenganzira ahabwa n'abarongoye urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi.Bikaba biri mu ngingo ya 77 y'itegeko rishasha mu gihe itegeko ryahahora ryavuga ko ipensiyo y'ubusaza n'ipensiyo y'uwusavye gukukuruka imbere y'imyaka yiwe y'akazi vyaja mu ngiro umunsi umunywanyi ashikirije dosiye yiwe ishirahamwe INSS.

Mu gihe umunywanyi w'ishirahamwe ryo gutegekaniriza kazoza abakozi INSS yitavye Imana canke uwahawe uburenganzira bwo guhabwa ipensiyo y'ubusaza, y'ubumuga, canke bitumwe n'ingwara akaronswa ipensiyo y'imbere yo gukwiza imyaka y'akazi bitumwe n'isanganya canke ingwara isanzwe, bararonswa amahera y'imfobo kuwuhagariye uwitavye Imana, amahera y'icumba ca moroge, kazi bari gucunga imbibe yarakurikiranywe, imibonano n'ugutanga intumbero ku bibazo bitandukanye vy'abasirikare navyo vyarakozwe tutibagiye n'ugusabira abaguye ku kazi agafashanyo gahabwa ababuze.

**IR: Ni iyahe migambi yindi mufise ya kazoza?**

**KG**: Nkuko biri mw'itegeko rigenga



Koroneri Kageza Gérard arongoye ibiro bijejwe gutegekaniriza kazoza abasirikare b'urwego FDNB

amahera yo kumushingura hisunzwe amategeko asanzwe ahari atunganya ivyo twadondaguye.

**IR: Ni ibiki vyoba vyararanguwe muri ibi bishinzwe gukingira no gukurikirana ivyo gutegekeraniriza kazoza abasirikare b'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi mu gice ca kabiri c'umwaka mu ndinganizo y'umwaka muvyo ubutunzi?**

**KG**: Ibiro bishinzwe gukingira no gukurikirana ivyo gutegekeraniriza kazoza abasirikare b'urwego rw'ukwivuna abansi vyaratunganije rusansuma y'abasirikare 527 bamugaye baronswa pansiyo y'ubumuga yongera iratanga ama karata agera ku 3354 ku bakukurutse n'imiryango yabo. Mu kazi ka misi yose, impapuro zemeza ibikorwa vyaranguwe 594 zaratanzwe, ama dosiye agera 163 y'amatati yarakurikiranywe muri INSS, ama dosiye yabasirikare agera kuri 19 y'abasirikare bakomeretse n'abaguye ku intwazangabo, ibisongerezi n'abasirikare bato; Leta y'Uburundi iratanga uburyo bwari busigaye mw'ishirahamwe ryo gutegekaniriza kazoza ku musirikare aguye ku kazi atarakwiza imyaka 15. Ibiro birategekanya kubandanya bisaba ishirwaho ry'umugwi wa INSS kugira ico kibazo cigwe. Ibiro kandi birategekanya kurondera ayandi mazu acuruza imiti bogiranira amasezerano nkuko bamaze kubikora na SALAMA mu ntumbero yo kworohereza abasirikare. Ikindi mu misi ya kazoza tuzotegura inyigisho ku basirikare zokubahugura ku tegeko rishasha rijanye n'ibwirizwa inumero 1/12 ryerekeye igitabo c'amategeko agenga ugukingira no gutegekaniriza kazoza abanyagihugu bo mu Burundi hamwe nukubandanya dutanga ama karata mashasha ku basirikare bagiye mu karuhuko kizabukuru.

***CAPT IRADUKUNDA JUSTE***

# Ubwibutsamana mu gisirikare burakurikirana abagize urwego FDNB mu bijanye n'ukwemera n'imico myiza

*Igisata c'ubwibutsamana mu gisirikare cararanguye ibikorwa bitari bike mu gice ca kabiri c'ikoreshwa ry'amafaranga y'umwaka w'2023-2024 mu ntumbero yo gukurikirana abagize urwego FDNB mu bijanye n'ukwemera n'imico myiza mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi.*



*Isakaramentu ryeranda rirungira ubumwe inzego z'ukwivuna abansi niz'umutekano*

Ubwibutsamana mu gisirikare ni kimwe mu bisata bigize Urwego FDNB. Bufise ubutumwa bwo gukurikirana abagize urwo rwego mu bijanye n'ukwemera n'imico myiza, gufasha ubuyobozi bw'igisirikare mu gikorwa cabwo co gukomeza inyifato ibereye y'abasirikare hamwe no gukurikiranira hafi ibikorwa bijanye n'amadini no gufasha mu bikorwa vyerekeye uguhimbaza Imana. Muri iyo ntumbero nyene, inzego z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano barahimbaje umusi mukuru w'Isakramentu Ryeranda kandi baratunganije n'amapfungo ya Pasika ku bagize izo nzego muri iki gice ca kabiri c'umwaka wikoreshwa ry'amafaranga.

### Umusi mukuru w'Isakacramentu Ryeranda uranywanisha inzego z'Ukwivuna abansi niz'umutekano

Mu gihe co guhimbaza Isakaramentu Ryeranda, umwibutsamana mukuru mu gisirikare Jenerari de Brigade Kamuntu Fulgence, mu nsiguro yiwe, yamenyesheje ko umusi wo guhimbaza Isakaramentu Ryeranda ko ari umusi ukomeye cane ku bakristu, ni akaryo ko guhimbaza Yezu Kristu yishushanya mw'Isakramentu ry'Ukarisiya. Uwo musi mukuru uranywanisha inzego z'ukwivuna abansi niz'umutekano. Yezu Kristu ni ubukomezi n'ubwira ryabari ku rugendo kugira bashobore guhangana n'ibibazo vy'ubuzima bwa misi yose. "Haragera igihe abagize urwego rw'ukwivuna abansi nirw'umutekano bahindukiriza amaso kuri Yezu Kristu bamusaba inguvu n'ubwira bwo kurangura neza ubutumwa bajejwe", nk'uko vyashikirijwe n'umwibutsamana mukuru mu gisirikare. Ivyo birori bikaba vyatewe iteka n'umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba Ir Alain Tribert Mutabazi. Mw'ijambo ryiwe, yarashimiye umukuru w'igihugu C'Uburundi ku mwitwarariko atahengeshanya kwerekana mu kwitaho inzego z'ukwivuna abansi niz'umutekano. Ntiyibagiye no gushimira abasenyeri ba Katolika bo mu Burundi hamwe n'abibutsamana ingene barangura neza igikorwa co gukurikirana neza ibijanye n'ukwemera n'imico myiza.

### Imana yuzuye urukundo n'imbabazi

Umwibutsamana mukuru mu gisirikare Jenerari de Brigade Kamuntu Fulgence yamenyesheje ko ubwibutsamana mu gisirikare bwatunganije amapfungo ya Pasika ku ntwazangabo zo mu rwego rw'Ukwivuna abansi nabo mu rwego rw'igipolisi barangurira imirimo yabo mu gisagara ca Bujumbura kuri Paroisse yo mu Ngagara yitiriwe Umweranda Jean Paul II y'igipolisi c'Uburundi mu kwezi kwa ntwarante. Umukuru w'igihugu c'Uburundi akaba yari yahishikiye. Mu nyigisho yiwe, Padiri Nibizi Dieudonné yibukije abakristu ko Imana yuzuye urukundo n'imbabazi.

### Ibindi bikorwa vyaranguwe

Mu gice ca kabiri c'umwaka w'itunganywa ry'amafaranga 2023-2024, umwibutsamana mukuru mu gisirikare Jenerari de Brigade Kamuntu Fulgence yamenyesheje ko ubwibutsamana mu gisirikare bwaranguye ibikorwa bitari bike ari vyo kubandanya ibikorwa vy'ukwubaka inyubakwa yama nama kuri paruwase ya gisirikare, gushinga imibano rukristu itanu, kubandanya ibikorwa vyo kwubaka inyubakwa yama nama y'urusengero rwa Pentecôte, ugutegura ukwishikana ku Mushaha utartyoye wa Bikira Maria ku basirikare naba polisi mu kwezi kwa rusama 2024 n'ibindi.



*Umunsi wo guhimbaza isakaramentu ryeranda ni umunsi udasanzwe ku nzego z'ukwivuna abansi niz'umutekano*

***Maj NGENZEBUHORO ALICE***

# Imigwi ya gisirikare yitwaye neza mu mahiganwa

*Ibiro bijejwe ukwinonora imitsi n'inkino mu biro bikuru vy'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rufise umwimbu mwiza mu nkino muri kino gice ca kabiri c'umwaka wa 2024.Imirwi imwe imwe ya Muzinga ikaba iri mu bibanza bishimishije.*

Mu gice ca kabiri c'umwaka w'ikoreshwa ry'amafaranga 2023-2024,ibiro bifise ukwinonora imitsi n'inkino mu vyo bijejwe ,vyaratunganije ibikorwa



*Umurwi wa muzinga volley-ball w'abigeme niwo wabaye uwa mbere mu gihugu*

vyinshi muri ico kiringo.Umukuru w'ivyo biro Liyetena -Koroneri Manirakiza Gilbert ,yamenyesheje ko imirwi ya Muzinga yitabira amahiganwa atunganywa n'amashirahamwe yo mu gihugu mu nkino zitandukanye.Imirwi ya Muzinga ikaba yitwaye neza aha twovuga nk'umurwi wa Muzinga y'abigeme bakina umupira w'amaboko Volleyball watahukanye ikibanza ca mbere mw'ihiganwa ryo ku rwego rw'igihugu ry'umwaka wa 2024.Nayo umurwi wa Muzinga y'abagabo muri urwo rukino nyene ukaba watsindiwe mu rukino rwa kabiri rushira urwa nyuma rw'ihiganwa ,aho mbere uri mu mirwi ine ikomeye mu gihugu.Umurwi wa Muzinga y'abigeme bakina urukino rwa Netball nabo akaba ari wo watahukanye igikombe c'inkino zo kwugurura ihiganwa.Iyindi mirwi ya Muzinga ikukira Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ikaba ibandanya amahiganwa kandi ingene bigenza birashimishije.

### Imirwi y'ubushikiranganji yaritavye ihiganwa rihuza ubushikiranganji bwose

Uko umwaka utashe,umushikiranganji muvyo ajejwe harimwo inkino,yama atunganya ihiganwa rihuza ubushikiranganji bwose. Ubushikiranganji bwo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba nabwo nyene bwaritabiriye iryo higanwa aho bwajanye imirwi y'umupira w'amaguru,uw'umupira w'amaboko Basketball hamwe n'uw'umupira w'amaboko Volleyball.Umurwi wa Volleyball ukaba watsindiwe murukino rw'igice ca kabiri gishira urukino rwanyuma nayo umurwi wa Muzinga Basketball ukaba wavuyemwo mu gice ca kane c'ihiganwa.Umurwi w'umupira w'amaguru wowo ukaba ukibandanya ihiganwa.

### Abanonotsi b'abasirikare barigaragaza mw'ihiganwa ry'ukwiruka mu Burundi

Kuvyerekeye ihiganwa ryo gusiganwa mu kwiruka,ubushikiranganji muvyo bujejwe harimwo inkino bufadikanije n'ishirahamwe ryo gusiganwa mu kwiruka mu Burundi baratunganije mu ntara ya Gitega ,ihiganwa ryo ku rwego rw'igihugu n'abanonotsi b'abasirikare bakaba bararyitabiriye kw'igenekerezo rya 9 ruheshi 2024.Abanonotsi b'abasirikare nibo batwaye ibibanza bitatu vya mbere ku metero 5000 nayo kumetero 1500,ikibanza ca kabiri n'ica gatatu bikaba navyo nyene vyatwawe n'abasirikare.Umunonotsi wa mbere afise umwanyawa mbere mu basiganwa mu Burundi nawe nyene akaba ari umusirikare yitwa 2Classe Niyongabo Yves ku metero 10.000 hamwe no ku bihumbi bitanu.Bafatiye kuri iyo myanya yabo myiza, baciye batorwa kuzoja guserukira Uburundi mw'ihiganwa rya Afurika rizobera mu gihugu ca Cameroun kuva kw'igenekerezo rya 21 gushika kurya 26 mukakaro 2024.

***Maj NININAHAZWE JMV***

Ibikurikira urupapuro rwa 4

### Gushimangira ubushozi gisirikare no kubaho neza kw'abahoze ku rugamba vyahawe ikibanza gihambaye

Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba bwarabandanije gushira inguvu mukurondera ibikoresho bishasha kandi bihuye n'igihe tugezemwo hamwe rero no kwubaka canke gusanura inyubakwa za Gisirikare. Ivyo vyajanye no gutanga inyigisho zituma abasirikare bongereza ubuhinga bari basanganywe mu bisata bitandukanye. Mu bijanye n'inyubakwa rero, icicaro gikuru gishasha ca Koperative y'ukuziganya n'ukuguranana y'abasirikare (CECADEM) caguruwe icese n' Umukuru w'igihugu Jenerari Majoro Ndayishimiye Evariste kw'igenekerezo rya 22 ruhuhuma umwaka w'2024. Hanyuma kandi kwubaka ahazobikwa imiti muri birigade ijejwe ibikoresho vya gisirikare vyararangiye neza. Ku bijanye no gukarihiriza ubwenge abasirikare, inyigisho n'imyimenyerezo vyaratunganijwe mu bisata bitandukanye. « Twaranditse kandi abifuza kwinjira mu rwego rw'ibisongerezi mu ntwaramiheto hamwe rero n'abifuza kuba abasirikare bato bato aho ibibazo vyatangiwe ku mirwa mikuru y'intara zose zigize Uburundi », ivyo bikaba vyashikirijwe n'Umushikiranganji Mutabazi mu kinaniro yahaye abamenyeshamakuru kw'igenekerezo rya 22 ndamukiza umwaka w'2024. Abo rero yavuga ubu inyigisho barazirembeje mu bigo bitandukanye.

Kugira bereke abahoze ku rugamba ingene boteza imbere imigambi yabo, umushikiranganji Mutabazi yamenyesheje ko yishikiye mu ntara za Ngozi na Kirundo kugira yirabire ibikorwa barimwo, yumvirize iryo bagona kandi abafate mu mugongo. Muri urwo rugendo rero yabanje kugendera koperative « Akaranga Kacu » ikorera ku musozi wa Hayiro muri komine ya Mwumba mu ntara ya Ngozi. Yaciye abandaniriza muri komine Bugabira, mu ntara ya Kirundo, neza na neza ku musozi Kigina, ahasanzwe hakorera koperative « Inkingi z'amahoro ». Biciye mu buyobozi bukuru bujejwe abahoze ku rugamba, imizinga mirongo icenda (90) n'ibindi bikoresho abavumbi bakenera vyarahawe abahoze ku rugamba bahurikiye muri koperative yitiriwe iterambere ry'abahoze ku rugamba b'i Zege mu ntara ya Gitega. Abanonotsi nabo bagendana ubumuga bakuye ku rugamba bagumye bitaba amahiganwa yabagenewe, igice ca nyuma kikaba cabereye mu ntara ya Bururi ku magenekerezo ya 23 na 24 ntarante umwaka w'2024, aho naho umushikiranganji Mutabazi akaba yari yahishikiye.

Umushikiranganji Mutabazi avugako ashimishwa n'ivyaranguwe muri aya mezi atandatu arangiye akagirako ahamagarira uwo ariwe wese kwongereza inguvu kugira bazorangure vyinshi gusumba mu meza akurikira, yoyo mbere akaba azoba ari mu mwaka w'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta w'2024 ushira uw'2025. Twokwibuka ko umwaka w'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta wama utangurana n'ukwezi kwa mukakaro.

***LT-COL HAKIZIMANA PROSPER***

# UTUNTU N'UTUNDI

**1. Ndagupfinze ni nde ?**

Umugabo yavuye mu mahanga atazaniye agashokola abana nkuko bari babimenyereye. Ashitse , umwana amubwira ati : «  Papa , mpa shokola ndakubwire uwaryamanye na mama atariho uri ! » . Umugabo yiruka  mu gisagara, arondera aho yogura  amashokola. Aca azana umuganda wazo ahereza wa mwana. Uwuri uwundi ati : «  Ndagupfinze ni nde » ? Umugabo atangura gukanura amaso , wa mwana ati : « Ni jewe naryamanye na mamaaaa ! ».

**2. « Amaze kuduhekera abana batanu, iri rimwe niryo rigushavuza  »?**

Hari umugabo yari yihaye kuja araryamana  n'umuyaya. Uko yabigira yama avyuka bagahurira mu cumba c'ubwogero  agaca amusubiza mu cumba ciwe amuhetse. Ariko rero iminsi y'igisuma iraharuye. Umunsi umwe umugore yarabuze itiro aca afata igitabo  agenda gusomera muri salo ariko aziko umugabo yagiye mu kazu ka sugumwe. Uwo mugabo ariko ntiyumvise ko umugore yavyutse. Niko guheza agashira mu mugongo wa muyaya  ngo amusubize mu cumba iwe  aja abona ahumutse ku mugore wiwe aho yiyicariye muri salo . Aca aramwitanga mu manyama ati : «  Huuuwa amaze kuduhekera abana batanu iri rimwe  ndamuhetse niryo rigushavuza ? »

**3. « Nzoca nywesha icupa canke ugwato ntaco vyose bija hamwe ».**

Habaye umugabo  yari ikigaba kandi yaratiwe , abashingantahe baramuhanura biranka niho bamubwira bati : «  Ni ivyukuri tutagukuye  mu bagabo. Nawe ati : «  ntaco  nzoca nigira mu bagore ». Nabo  bati tuzoca tugucira umukenke . Nawe ati : «  Nzoca nywesha icupa canke urwato ntaco bija hamwe ».

**4. Tubitege amaso**

Umutamakazi yari yicaye iruhande yaho imisore n'inkumi bakunda  guhurira , akabona umusore asoma inkumi  ku munwa, inkumi nayo isoma umusore ku munwa. Uko haje abandi bigenda gurtyo , yamara we akabura n'umwe yoza ku musoma.  Niho yabona umusore aje yizananye wenyene ati : « Yemwe ntawubura umunsi wiwe uyo we asoma jewe. Wa musore ntiyamuravye n'iryahumye. Uno mutamakazi aramuhamagara ati : « Ingo unsome musore  naje sinaronse kuva buca.  Uno musore amwishura ati : « Sinshobora gusoma umunwa utagiramwo amenyo ». Wa mutamakazi ati : « Yemwe umpoye ubusa nama mbona abavyeyi basoma inzoya zabo kandi zitagira amenyo.  Uno musore ati : « Ivyo ntibisa kuko barya basoma ayazomera mu nyuma ariko wewe ntanicizere co kuyamera. Uno mutamakazi ati : «  reka nihangane uzonsoma nawe yaheze ngira ho uzoba usoma nawe utagira amenyo . Umusore ati : «  Tubitege amaso ».

**5.Je numva ndagutahuye ndanakugiriye ikigongwe**

Umugabo yamaranye n'umugore imyaka mirongo 50  bubakanye, maze bashima kwibukanya ivyabagoye, bahanurana  eka bigina uwo munsi mukuru. Umugabo araheza abaza umugore wiwe ati : «  Mbega sheri wanje  aho wonyemeza ko utigeze umpenda ( Umvanga ) iyi myaka yose tumaranye ? Umugore wiwe ati : «  Uribuka igihe bagomvye kudusohora kubera twari tubuze ayo turiha… inzu ? uwundi ati  ego  cane ! mugabo mu nyuma bagaca batureka.. kandi utarishe ? uca wumva yuko ….

Umugabo ati sawa , ati naho honyene ndibaza ? umugore ati oya .. igihe bagire bakwirukane mu kazi  wahibagiye.. ? ntuziko naciye nsaba umubonano  shefu wawe !! agaca ambwira agakuru keza ko batakikwirukanye ko nigoye  nkaja kumusigurira !! wa mugabo ati ako kabiri gusa je numva ngutahuye …  kandi ndanakugiriye ikigongwe.